# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

# ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Kuri uyu w'Imana igenekerezo rya **17 Nzero 2021**, Nyenicubahiro Varisito NDAYISHIMIYE, Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, yaganiriye kw'iterefone na Mugenzi we w'Igihucu ca Tanzaniya, Nyenicubahiro John Pombe MAGUFULI.

Mu mwanya bamaranye bayaga nk'Abavukanyi, baboneyeho akaryo ko kwipfurizanya Umwaka Mushasha w'2021. Baciye irya n'ino ivyerekeye imigenderanire hagati y'Uburundi na Tanzaniya, isanzwe yifashe neza, bongera bavugana ibijanye n'ingene akarere ibihugu vyompi birimwo kifashe, bemeranya kwama bashize hamwe mu gutsimbataza amahoro n'umutekano mu karere no mu guteza imbere Tanzaniya n'Uburundi mu bisata vyose, harimwo n'ubudandaji.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*